KIRUNDI

INDWARA YA BILARIZIYOZI
SCHISTOSOMIASIS

N'iki Bilariziyozi?

- Ico bita "Schistosomiasis", ariyo bilariziyozi, n'indwara iterwa n'akayoka gatoyi cane kaba mu mazi atemba.
- Umuntu yandura iyo utwo tuyoka dutoyi tukugiye k'umubiri.wiwe.
- Inzoka zishobora kwinjira mu mubiri hanyuma zigashika mu mahaha no mu gitigu, ahozikurira hanyuma zigatangura guta amagi.
- Inzoka zishobora kuba mu mitsi, mu gitereko, canke mu mara imyaka myinshi cane.
- Iyo zitavuwe, izo nzoka n'amagi yazo zirashobora kwonona igitigu, amara, n' igitereko. Nigake zitera ingorane zindi nk'ukuraba.

N'inde ashobora kwandura?

- Nimba warabaye canke waragendeye intara habamwo inzoka zitera bilariziyozi ziba mu mazi (akarorero, mu bihugu bimwe vyo muri Afrika, mu gihugu bita'Caribbean', ubumanuko bwo mu Bushinwa, Ubumanuko bushira ubuseruko bwo muri Aziya no mu ntara zishira ubuseruko), ushobora kuba waranduye kera.
- Abantu barandura iyo barangura ibikorwa vyokuvoma amazi, vyo kurima canke kuroba mu migezi, mu nzuzi canke mu biyaga.

Ibimenyetso vyayo n'ibihe?

- Mu minsi yambere umuntu yanduye abantu bamwe bazobona umubiri uhurira canke bakaribwa k'umubiri.
- Mu mayinga makeye ushobora guca uronka inyonko, ukarwara umutwe, ugakorora, ugacika n'inkokora.
- Abantu benshi nta bimenyetso bazokwerekana kandi bafise inzoka mu mubiri, ziriko zirarwira.

Bayipima gute?

- Iyo bapimye amaraso barashobora kubona ko wigeze kwandura bilariziyozi(schistosomiasis).
- Iyo igipimo cerekanye ko wanduye, bazogutuma kuzana amasobe n'umusarani wawe kugira barabe ko at'amagi yizo nzoka ufise.
- Batoye ayo magi bazogutuma ibindi bipimo (akarorero, bagucishe mw'iradiyo).

Iyo ndwara ivurwa gute?

- Hariho imiti myiza kandi ikora neza yo kuvura bilariziyozi.
- Abantu benshi batowe iyo ndwara mu bipimo vy'amaraso bazobaha ibinini.
- Basanze amagi y'izo nzoka mu masobe canke mu musarani wawe, bizokenerwa ko basubira kugusuzuma ubwakabiri.

Inyigisho zindi mushobora kuzisanga ahakwirikira